GUSOMA EDITIONS

# AMAJAMBO YOSE HAMWE YACUZWE MW'ISEKEZA NGARUKAMWAKA

## CURIJAMBO 2024

- **Igisata c’ubutunzi**.

| | | |
|---|---|---|
| 1. Ndāndariza : Prescripteur | Ni umuntu atanga umuco ku bikenewe ngo igikorwa gikorwe. | Umuganga ndāndariza yanyandikiye imiti ikenewe kugira ndayigure. |
| 2. Umuranzi : Commissionnaire | Ni umuntu ahuza abaguzi n’abacuruzi kandi agafasha mu kugurisha ibicuruzwa. | Umukuru w’igihugu yamenyesheje ko abaranzi ari bo batuma igitoro kizimba. |
| 3. Igúrizo : Contrat de vente | Ni amasezerano hagati y’umuguzi n’umudandaza yemeza ko baguriraniye bakayashirako umukono. | Bashize umukono kw’ igúrizo ry'iyo nzu, harageze ko twimukira mu yindi |
| 4. Ikirihiriro : Facture | Ni urupapuro rwerekana indishi umuguzi ategerezwa kuriha umudandaza. | Niwaheza kwandika ibikenewe vyose, urasaba ikirihiriro dutegure igurizo. |
| 5. Urugusho : Avance | Ni igice c’amahera atangwa bugingo ikintu kiguzwe, mu kurindira ko ay’ikiguzi atangwa yose. | Toma yabaye arariha 40000 y’urugusho Ndereya mu kurindira ko amukwiriza 120000 bemeranije yo kugura urukwavu rwa kijambere ruvyara. |
| 6. Umunyámugāmbi : Entrepreneur | Ni umuntu afise umugambi w'ukwiteza imbere agatako | Umunyámugāmbi w’ukuri yama arondera inyishu z’ibibazo biri mu kibano |

GUSOMA EDITIONS

| | | |
|---|---|---|
| | akanawushira mu ngiro.<br><br>. | |
| 7. Ubunyámugāmbi : Entrepreneuriat | Ni ishigwa mu ngiro ry'umugambi w'iterambere wiyumviriweko. | Ubunyámugāmbi bwiwe buramuteje imbere n'umukuru w'igihugu aheruka kumugendera |
| 8. Icemezandishi : Reçu | Ni urupapuro rwemeza ko amafaranga akwiranye n'ibicuruzwa vyaguzwe yarishwe. | Nahawe Icemezandishi igihe narangura za toni zibiri z'amavoka. |

- **Igisata c'ubutungane**

| | | |
|---|---|---|
| 1. Inyúnganiratégeko : Jurisprudence | Ni ingingo zafashwe kera zifashishwa mu guca urubanza rufitaniye isano n'urwaciwe. | Abacamanza barishimikiza inyúnganiratégeko mu guca imanza zagoranye. |
| 2. Indôndavyâha : Extrait du casier judiciaire | Ni urupapuro rudondora umuntu n'ivyaha vyiwe. | Mariyusi yambitswe izera,indondavyaha yiwe yerekana ko atakiri mu bagirizwa ivyaha. |
| 3. Indāngamavûko : Extrait d'acte de naissance | Ni urupapuro ruranga kandi rwemeza amavuko y'umuntu, aho yavukiye n'abavyeyi biwe. | Abavyeyi bose bahimirizwa kwandikisha abana bakivuka ngo baronke indangamavuko zibafasha kwivuza. |

| | | |
|---|---|---|
| 4. Indôndoramūntu : Attestation d'identité complète | Ni urupapuro rwemeza umwidondoro w'umuntu, iyo yavukiye n'aho aba. | Kwibangikanya indôndoramūntu vyaramfashije mu kugura inzu mu gisagara |
| 5. Inyígīshomfátiro : Doctrine | Ni inyigisho n'ivyiyumviro bitangwa kugira ngo bikurikizwe mu buzima canke mu nyigisho mu bisata bitandukanye. | Inyigishomfatiro z'uburaro bwiza zirafasha mu bwubatsi bwa none. |
| 6. Ingêngangīngo : Procédure judiciaire | Ni uburyo butegekanyijwe bw'ingene ingingo zikurikizwa, kugira igikorwa gishike kw'ihangiro ryiza. | Mu matohoza ajanye n'urupfu rw'umusore yitabiye Imana i Makamba ku wa 12/08/2024, yariko ararangura amabanga mpuzabitsina n'umwigeme w'imyaka 17, birakenewe ko hakurikizwa ingêngangīngo bijanye, maze agateka k'uyo mwana kakubahirizwa. |

- **Igisata c'amagara y'abantu**

| | | |
|---|---|---|
| 1. Akaryama ka nkende : Variole du singe | Ni akaryama gaterwa n'umugera watowe ubwa mbere ku nkende muri 1958. | Mu gihe c'akaryama ka nkende , duhamagarirwa gukaraba n'amazi meza n'isabune kenshi gashoboka no kudakorana mu minwe. |

| | | |
|---|---|---|
| 2. Mu batábārizwa: Urgence | Ni aho abarwayi bakeneye ubufasha bwihuta bashikira ngo basuzumwe. | Rusehabaniha yamushikije mu batábārizwa kubera kuva agize isanganya yagumye ava amaraso menshi. |
| 3. Amagará ndóragítsina : Santé sexuelle | Ni inyigisho zigena uko umuntu yogira amagara meza ajanye n'ubuzima bw'igitsina. | Ubumenyi ku magara ndoragitsina budufasha kwikingira ingwara zitandukanye. |
| 4. Impánamizi : Facteur de risque | Ni inyifato canke kamere y'umuntu ishobora kuba imbarutso yo kwandura ingwara zitandukanye. | Ukunywa itabi ni imwe mu mpanamizi zo kugwara umutima. |
| 5. Ubwăndu : Infection | Ni igihe umubiri uba wanduye ibishobora kuvamwo ingwara. | Yari amaze iminsi akorora cane none yasanze afise ubwandu mu muhogo. |
| 6. Isaniro : Chirurgie | Ni igisata c'ubuvuzi kiraba uwagize ingorane zirengeye kuvugwa n'imiti yo kumira, guterwa canke gusigwa. | Abavunitse ntibashikira mu batabarizwa, yashikijwe mw'isaniro kubera yababaye cane mw'isanganya yagize. |
| 7. Isanasana : Opération | Ni igikorwa c'ubuvuzi gifasha uwagize ikibazo kirengeye imiti gusa. | Iyo hataba isanasana ry'ukuguru,Nyange ntiyosubiye gukina umupira w'amaguru. |
| 8. Isūzumwa : Consultation | Ni uburyo bwo gusuzuma amagara y'umuntu kugira ngo hamenyekane ingwara yoba agwaye. | Yazindukiye mw'isūzumwa kugira ngo bamenye igituma |

| | | |
|---|---|---|
| | | asigaye ahema bigoye. |
| 9. Isuzuma ry'ikiziga : Autopsie | Ni isuzumwa ridasanzwe rikorerwa umuntu yapfuye ngo bamenye imvo n'imvano y'urupfu rwiwe. | Ibipimo bimaze kwerekana ko yapfuye anigiwe mu nzu, amatohoza yatanguriye ku mugore wiwe. |
| 10. Umwakirizi : Sage-femme | Ni umuntu yitaho amagara y'umupfasoni n'ikibondo ciwe yibungenze imbere n'inyuma yo kuvyara. | Ugukurikiza amabwirizwa y'umwakirizi bituma umupfasoni yibungenze agira amagara meza n'ikibondo. |
| 11. Aho bavurira abana : Pédiatrie | Ni igisata co mu buvuzi citaho amagara y'ibibondo. | Yasanze aho bavurira abana hatonze abantu benshi ni co gituma yatevye. |
| 12. Iyakiriro : Maternité | Ni ikibanza cagenewe kwakira abavyeyi baje kwibaruka. | Twashitseyo akanyoni kagurutse, yashikiye mw'iyakiriro kandi yavyaye amahasa. |
| 13. Inkoranyabuhinga : Multidisciplinaire | Ni uburyo bwo guhuza ubumenyi mu bisata bitandukanye ngo haboneke inyishu y'ikintu. | Muri rya sanganya ryaba , umupfasoni yababaye kurusha abandi yashikanywe ateba kandi ivugwa ryiwe ni nkoranyabuhinga. |

GUSOMA EDITIONS

- **Igisata c'inkino n'uburimbanyi**

| | | |
|---|---|---|
| 1. Umurīmbānyi : Artiste. | Ni umuntu afise ubuhinga bwo gutyorora agatanga ikintu ciza kuruta ico yatanguje | Umurimbanyi wese yarerekanye ubuhinga akoresha mu birori vyatunganijwe. |
| 2. Uburīmbānyi : Art | Ni ubuhinga bwo gukora ibirimbanye bitandukanye nk'ugushushanya, kuririmba, … | Uburimbanyi bwiwe buramuteje imbere. Yama guteramisha abantu mu birori mpuzamahanga. |
| 3. Murimbane : Miss | Ni umwigeme atorwa mw'ihiganwa ngarukamwaka aba afise uburanga, ubwenge n'imico myiza ngo abere icitegererezo abandi. | Muri 2024, ihiganwa rya Murimbane ryaratevye cane kuko uwatowe umwaka uheze aheruka kurangiza ikiringo muri Ruheshi. |
| 4. Ingánamugáni:Roman | Ni igitabu cerekana inkuru ndende itabayeho, itegura kandi ikerekana ivyiyumviro vy'abasomyi. | Runyota yanditse inganamugani nshasha,uyisomye nta muntu mutobana kuko yigisha umubano. |
| 5. Indamuragitabu : Les Éditions | Ni uruganda rufasha uwushaka kwandika igitabu mu kumuha intumbero no kumuherekeza gushika kw'ihangiro ryiwe. | Indamurabitabu Gusoma yafashije umwana w'imyaka icumi n'itandatu gusohora igitabu ciwe ca mbere. |
| 6. Umuvamfuruka : Corner | Ni umupira ushirwa mu mfuruka iyo usohowe n'umukinyi agwanira kudatsindwa. | Mu mivamfuruka harakunda kuvamwo ibitsindo vy'imitwe. |

| | | |
|---|---|---|
| 7. Mukorumboné : Surface de Réparation | Ni igice kidasanzwe c'ikibuga, aho ikosa rihaniweyo rishobora kuvamwo igitsindo. | Abakinyi b'inyuma bariyubara cane ngo ntibakorere amakosa muri mukorumbone kuko vyobaviramwo gutsindwa. |
| 8. Ikinyânkŭmbi: Pénalité/ Penalty | Ni umupira uterwa iyo umukinyi akoreye ikosa muri Mukorumbone. | Urukino rwari guhera batatsindanye iyo hataba ikinyankumbi cahaye igitsindo Nyange ku munota wa 84 |
| 9. Agasunuzo : Prolongation | Ni umwanya wongerwa ku wutegekanijwe mu rukino rw'umupira w'amaguru iyo bitakunze ko imirwi itsindana | Urukino rwari rubereye ijisho kandi rwatevye kurangira kandi batsindanye bigoranye kuko Vital'o yatsinze mu minota y'agasunuzo |

- **Igisata c'indero**

| | | |
|---|---|---|
| 1. Amayǎgwa : Littérature | Inkuru iyo ari yo yose yaba mu majambo make (imigani gacamugani) canke irandagata. N'aho zama zirimwo inkebuzo, bene izo nkuru ziritwararika cane ukunezereza umutima. Kubera amajambo akoreshwa aba yihwejwe neza, bavuga ngo ziradigadiga ugutwi, zikanyura ubwenge, zikanezereza umushaha. | Ushaka kumenya ubuzima bw'Umurundi w'aho hambere,witaho amayagwa cane. |
| 2. Inyúramúganí : Fiction | Ubuhinga bwo gudonda inkuru ngufi canke ndende ariko muri za zindi zitazindwa n'uguhinyuzwa. Aho zibera harashobora kuba hazwi ariko abazivugwamwo n'ivyo bavugwako canke bakora n'aho wobarondera gute ntabo wotora. Mugabo usanga batwibutsa vyinshi tubona, twabonye, twiyumvira canke twabayemwo. Ni co gituma ariho honyene amarira azana umunezero... | Horimbere yaranditse inyuramugani yise Inkuru y'abana b'umuco ahamagarira abantu gusubiza hamwe no kwiyaturira neza mu kibano. |
| 3. Amayǎgwa nyabumenyi : Littérature de pensées | Ni ayo mayagwa yubakiye ku ciyumviro umuntu akura mu vyo yize canke yitegereje... Yo ntashira imbere | Ahakoraniye abaminuje,utazi amayagwa nyabumenyi nta |

| | | |
|---|---|---|
| | ukunezereza abantu, ashira imbere ubumenyi mpinyuzwa. | ciyumviro ushikiriza. |
| 4. Amayǎgwa nyuramvugo : Littérature orale | Amayagwa nyuramvugo ni uburyo bwamye bukoreshwa mu mahanga yose ngo ikibano kimenye uko gikwiye gufata ibintu vyaba ivyo bakunda canke banka,barekuriwe canke babujijwe ,kwigisha ico bari ,ico baharanira n’ico bokingira.Urayasangamwo imigani, ibitito, ibisokozo, ... | Amayagwa nyuramvugo ni yo yatumye ngira imiziro myinshi kuko navyumviye mu bitito n’imigani. |
| 5. Amayǎgwa mandikano : Littérature écrite | Ni amayagwa yigishwa cane mu mashuri akaba ifatiro y'ingene ururimi yanditswemwo rwubatswe. | Kuva abantu bimenyereje kwandika, amayagwa ntiyabaye akiri nyuramvugo gusa, harabaye n’amayagwa mandikano. |
| 6. Rwēmeza : Diplôme | Ni icemeza ko umuntu yaciye mu mashuri akayaheza ku rugero runaka. Ni urupapuro rwagenywe ngo rusigure ko urufise afise urugero uru canke ruriya mu vyigwa ibi n'abiriya. | Rwemeza ntizingana iyo abantu batize bimwe kuko hari uwugira nka Rwemeza ya Kaminuza mu Biharuro, mu Buganga, mu Bwigisha... |
| 7. Insahirizi : Bourse d’études | Ni uburyo budasubizwa bufashishwa umunyeshure ari muri kaminuza ngo asahirize ubwo asanganywe mu | Abanyeshure icumi ba mbere mu kibazo ca Reta bazoronka insahirizi yo kuja kwiga muri |

GUSOMA EDITIONS

| | | |
|---|---|---|
| | kwikenura muri vyinshi akenera. | kaminuza zo mu mahanga. |
| 8. Ingurâne-nsahirizi : Pré-bourse | Ni uburyo butangwa nk'ingurane ku banyeshuri ba kaminuza ngo bikenure mu vyo bakenera bakazoyariha batanguye gukora akazi. | Banki nkuru y'igihugu irishuza amafaranga atari make y'ingurâne-nsahirizi yatanzwe ku bakozi ba Reta igihe bari baciga muri kaminuza. |
| 9. Igisatá : Département | Igisata ni umugwi ugizwe n'ivyigwa bifitaniye isano mu mice itandukanye. | Umuhungu wa Miburo kuva aho agiriye mu gisata c'amayagwa mu congereza,nta kirundi akivuga. |
| 10. Iramuriro : Faculté | Ni urwego mpuzabisata.Ni umugwi w'ibisata vy'amashure ya kaminuza bifitaniye isano mu vyigwa. | Kaminuza y'Uburundi igizwe n'amaramuriro menshi mu bisata bitandukanye. |
| 11. Ishêmbamvúgo : Poésie | Ni ubuhinga bwo kwungikanya amajambo ku buryo n'ugutwi kudigadigwa vy'ukuri, bigatuma iciyumviro gisohokana inguvu kitari kugira kivuzwe ukundi. Aho harajamwo rero impinyanyuro, ihamagarana ry'amajwi ngo umuntu asharize imvugo. | Abasore batari bake bakoresha ishembamvugo mu kuresha abo bipfuza. Indenzarugero n'ingereranyo ni impinyanyuro zigaruka kenshi. |
| 12. Icīcaro : Session d'examen | Ni ikiringo kizwi gifise intango n'iherezo abaminuza bakoreramwo ibibazo | Iyo icicaro nyamukuru kigeze, biragoye kuronka abaminuza kuko baba bafatiriwe cane. |

| | | |
|---|---|---|
| 13. Indângamánotá : Bulletin | Ni urupapuro rwerekana uko uwiga yakoze, ni ukuvuga ruranga amanota yaronse inyuma y'icicaro | Indangamanota z'uwiga nizo zerekana ko igihe kigeze co kuronka Rwemeza. |

- **Igisata c'uburimyi**

| | | |
|---|---|---|
| 1. Ubuhinga bw'irima : Pratiques agricoles | Ni ibikorwa vy'ubuhinga bikoreshwa mu burimyi vyerekana uburyo bwo kurima ubungabunga isi no kugwiza umwimbu. | Ubuhinga bw'irima burakenewe ngo twongereze umwimbu w'imboga no mu ci. |
| 2. Urubu rw'irima : Saison culturale | Ni ikiringo kirangwa n'irima gitandukanya igihe n'ikindi | Imvura ko itanguye kugwa,ni urubu rw'irima ,harageze ko dusohora amasuka. |
| 3. Isekeza ry'Uburimyi : Campagne agricole | Ni igikorwa co guhimiriza no kwigisha ubuhinga butuma umwimbu ugwira. | Uyu mwaka,isekeza ry'uburimyi ryatumye umwimbu w'ibigori ugwira mu gihugu cose. |
| 4. Ikivomeresho : Arrosoir | Ni igikoresho abarimyi bakoresha mu kuvomera ibiterwa bateye canecane mu myonga mu rubu rw'ici | Kayobera yagiye kuraba akarima kiwe k'ibitunguru asanga kagadutse kubera imvura yatanguye gutara, aca atuma umwana wiwe kumuzanira ikivomeresho ngo asige avomeye ivyo biterwa |
| 5. Umuhonyatwononyi : Pesticide | Ni ubwoko bw'umuti ufise ubushobozi bwo kwica udukoko twonona ibiterwa canke umwimbu. | Nkiri muto ,umuhonyatwononyi bakoresha cane i muhira bawutazira kirorina. |

| | | |
|---|---|---|
| 6. Uburimyi nzanamafaranga : Agribusiness | Ni uburimyi butegekenya umwimbu urengeye ivyo umuntu afungura gusa. | Yijukiye uburimyi nzanamafaranga ku rubu rw'irima ruheze none yaguze imiduga ibiri mu mwaka umwe. |
| 7. Ifumbire mvaruganda : Engrais chimiques | Ni ifumbire ihinguwe mu ruganda itandukanye n'ifumbire kama naho bishobora gukora kumwe. | Abipfuza kugura ifumbire mvaruganda, biyandikisha ku rutonde hakiri kare. |
| 8. Ukworekera/Iyimisha : Greffage | Ni ubuhinga bwo gusanisha imivyaro ibiri y'ibiterwa bidasa ngo bivyare ikindi gitegwa gisa na vyo. | Nijukiye igikorwa c'ukworekera amavoka ya kijambere, none ntiworaba umwimbu nsigaye ndonka urashimishije |

- **Igisata c'ubuhinga bwo gutumatumanako amakuru**

| | | |
|---|---|---|
| 1. Ubuhinga bwo gutumatumanako Amakuru : TIC | Ni ubuhinga bukoreshwa ngo amakuru ashobore kuva aha ashika ahandi haba mu majwi,mu nyandiko canke mu masanamu. | Mu gihe ca none,ubuhinga bw'ugutumatumanako ni kirumara mu budandaji. |
| 2. Ubwenge mpingurano : IA (Intelligence artificielle) | Ni ubuhinga bukoreshwa ngo bagerageze gukora no kwiyumvira uko umuntu yokwiyumvira mu buzima busanzwe. | Ibihe tugezemwo, ubwenge mpingurano busigaye bukoreshwa mu gisata c'ubuvuzi. |
| 3. Kwimura : Copier | Ni uburyo bwo gutora amakuru ukayashira ahandi ariko akaguma na hamwe yari asanzwe. | Ukwimura vyo ntibigoye iyo hari aho ubikura. |
| 4. Kumadika : Coller | Ni uburyo bwo gushira amakuru aho wipfuza ko aja udafuse iyo yavuye. | Iyo uhejeje kwimura ikintu, ukibika ubanje kukimadika ahandi. |

| | | |
|---|---|---|
| 5. Kwunguruza : Déplacer | Ni ugukura amakuru mu kibanza kimwe uyashira mu kindi kibanza. | Nagomba kwunguruza iki gisomwa ndakibike ahandi,sindinda kwimura no kumadika ? |
| 6. Kuvoma : Télécharger | Ni ugukura amakuru aho asanzwe ari ukayakoresha uko ushaka. | Ubu sinkirinda kuvoma indirimbo imwe imwe, mvomera urukurikirane rwose icarimwe nkashira irungu. |
| 7. Inyabwonko : Ordinateur | Ni igikoresho gifasha umuntu gukora ivyo yiyumvira mu buhinga bwa none. | Inyabwonko ngendanwa irafasha cane.Ushobora gukorera aho ugeze hose. |
| 8. Iyitsanyabwonko : Digitalisation | Ni ubuhinga bukoreshwa kugira amakuru asanzweho ashobore gukoreshwa n'inyabwonko mu buryo bwa none. | Iyitsanyabwonko ryaje hageze, amasanamu y'ubugeni bwa dawe ndayagendana mu nyabwonko. |
| 9. Interabwenge : Logiciel | Ni ubuhinga bwiza butuma inyabwonko igira ubwenge bwo gukora ibijanye n'igisata iyo nterabwenge yakorewe. | Interabwenge yose iba ifise ico igenewe gukora kandi irafasha cane mu kurangura ibikorwa. |
| 10. Umugera : Virus | Ni ubuhinga bubi bushobora kuja mu nyabwonko yawe utabwiteze ata kindi bukora atari ukwonona amakuru ari mu bubiko bw'inyabwonko yawe canke kwabura amabanga yawe. | Inyabwonko yanje ntigikora neza, imigera yagwiriye. |
| 11. Umuhinyiko : Code | Ni urukurikirane rw'amajambo,ibimenyetso canke ibiharuro bikoreshwa mu buhinga bwo gutumatumanuko amakuru mu mutekano. | Umuhinyiko akoresha mu kubungabunga amakuru y'ishirahamwe ryabo ni ntiganwa. |

| | | |
|---|---|---|
| 12. Agaterabwenge : Application | Ni interabwenge yo ku rugero ruto ishobora kwongera ubushobozi bwo gukora ngendanwa yawe. | WhatsApp ni yo nterabwenge abantu benshi bakoresha mu kuyaga ngaha mu Burundi. |
| 13. Kumatura : Couper | Ni uburyo bwo gutora igice c'amakuru canke amakuru yose avanwa ahantu hamwe ashirwa ahandi adasigaye iyo yavuye. | Nari navyanditse kera kwabaye ukumatura nca ndamadika mu nterabwenge yashaka ko nkoresha. |
| 14. Urusenge : Serveur | Ni igikoresho gikomeye mu gutumatumanako amakuru gifise ubushobozi bwo kwakira, kubika no gutanga amakuru ku bindi bikoresho nk'inyabwonko n'ibikora nkazo. | Urusenge rubika amakuru yose dusoma ni runini cane. |